# UBURYO BW'UGUTORERA INYISHU IBIBAZO BISHIKIRIZWA

Banywanyi,

Mufise ikibazo kibabakiye, mwokitumenyesha. Muri BGF, turajwe ishinga no kubaronsa ibikorwa bishimishije. Birashika aho bitagenda neza nkuko vyategerezwa.

Igihe mufise ikibazo mushikiriza mwokitumenyesha bidatevye. Mu gihe, ikibazo canyu gisaba igihe kugira gitorerwe inyishu, turabibamenyesha biciye mu rwandiko ko twakiriye ikibazo canyu.

Turakora ibishoboka inyishu y'ikibazo canyu ikaboneka mu misi icumi (10) y'akazi. Igihe tuzoba dukeneye umwanya uruta uwo kugira dutorere inyishu ikibazo canyu, tuzokora ibishoboka vyose duheze tugitorere inyishu mu misi (20) y'akazi. Tuzoja turabamenyesha aho tugejeje kwihweza ikibazo canyu ku ntambwe imwimwe yose. Turangije, tuzobamenyesha ingingo yafashwe itangiwe n'imvo mu kiringo c'imisi (5) y'akazi ikurikira umusi amatohoza yarangiriyeko.

Muntumbero yo gufashà ngo inyishu y' ikibazo canyu iboneke n'ingoga, musabwe gushiramwo ibi bikurikira mu gihe c'ukukitumenyesha :

- Izina n'inomero y'ikonte yanyu ;
- Inkuru zose zishoboka mwotanga kukibazo mushikirije ;
- Kutumenyesha nimba mushaka ko hagira ibikorwa bigaragara kugira ikibazo canyu gitorerwe inyishu.

Ingene mwodushikiriza ikibazo canyu?

- Mworungika ikibazo kuburyo ngurukanabumenyi kuri: info@bgf.bi
- Mushobora kutwandikira kuri : B.G.F Avenue de la Liberté. Agasandugu ka Posita 1035 Bujumbura Burundi canke kw'ishami rya BGF ribegereye.
- Mukoresheje iterefone : Mushobora gushikiriza ikibazo canyu muciye kw'ishami rikuru ry'Ibanki canke ishami ryose ribegereve. Mushobora kuduhamagara kuri +257 22 22 13 52 kuva ku musi wa mbere w'indwi gushika ku wa gatanu, kuva isaha zibiri z'igitondo gushika isaha icumi n'imwe n'inusu z'umugoroba canke umusi wa gatandatu kuva īsaha zitanu z'agatondo gushika isaha umunani z'umutaga (kiretse ku misi mikuru itegekanijwe mu Burundi).